# INYIGISHO YA PAPA FRANSISKO KU MUSI MPUZAMAKUNGU UGIRA UWA MIRONGO ITANU N'UMUNANI WAHARIWE AMAHORO, 01/01/2025

***« Uduhebere umwenda wacu, uduhe amahoro »***

*I. Ugutega amatwi amaborogo ahanamiye isi yacu*

1. Mu ntango z'uno mwaka mushasha, ukaba umwaka wa Yubile tugabiwe na Dawe ari mw'ijuru, ukaba n'igihe ciza kirangwa n'umwizero, ndabipfurije mwese amahoro bimwe bivuye ku mutima, cane cane abo bose baruhijwe mu kubaho kwabo, abo bose bamaze kwicira urubanza kubw'amakosa yabo, canke bacinyijwe n'intahe y'abandi ntibabe bagishobora kugira umwizero wa kazoza mu buzima bwabo. Kuri mwebwe mwese, sangwa ukwizigira n'amahoro. Na none uyu mwaka ni Umwaka w'ingabire duhawe n'Umushaha w'Umucunguzi !
2. Muri uyu mwaka w'2025, Ekleziya Gatolika irahimbaza Yubile, urubanza rwuzuza ukwizigira mu mitima. Iyubile ni iya kera mu mateka n'ubuzima bw'Abayahudi. Ihembe ry'intama, ariryo "Yobel" mu Gihebreyi, ryarasamiriza, uko imyaka mirongo ine n'icenda itashe, umwaka w'ubuntu n'ukubohorwa kw'igihugu c'Imana (Bene Levi 25,10). Ubwo butumire bw'icese, ku bwa ngingo, bwategerezwa gusamirana kw'isi yose (Bene Levi 25, 9), kugira haremeshwe ubutungane bw'Imana mu mpande zose z'ubuzima : uburyo bwo gukoresha isi, ivy'itunga, imigenderanire yacu n'abagenzi, cane cane abakenye rwose n'abo bose bihebuye. Iyo nzamba y'ihembe yibutsa abantu bose, baba abatunzi canke abakene ko ata n'umwe yaremewe gucinyizwa : tuvukana twese kuko dusangiye Umuvyeyi umwe ari we Dawe wa twese, tukaba twavutse ngo tube abidegemvya mu muco w'ishaka ry'Imana (Bene Levi 25, 17.25.43.46.55).

3. No mu misi ya none, Iyubile iduhamagarira kurondera ubutungane bw'Imana bubohora abantu kw'isi. Twashaka ko mu ntango z'uyu mwaka w'Ivyiza vy'Imana tutotega amatwi inzamba y'ihembe, ahubwo ko twotega amatwi akamo k'abihebuye bakeneye intabaro yacu. Ako kamo gaturuka mu mihingo myinshi y'isi kandi Imana ntihengeshanya kukakira nka kurya kwa ya maraso y'Abeli, intungane (raba Amamuko 4, 10). Bisubiye, duca twumva ko duhamagariwe kuba abiyamiriza uburyo bwinshi bufutanya iyi si hamwe no gucinyiza umugenzi. Ako karenganyo karahava kagafata ingendo Umweranda Yohani Paulo wa II yise « ingendo-menyero y'igicumuro » kuko kadafatiye gusa ku bubegito bwa bamwe bamwe ariko tubona nyabuna gashinze imizi mu gushigikirana mu nabi.
4. Umwe wese, mu buryo n'ubundi, ahamagariwe gutegera uruhara rwiwe mw'itatagurwa ry'inzu yacu rusangi dufatiye ku bikorwa bishobora gukwega no gushigikira amatati asinzikaje isi. Maze iyi si yacu ugasanga ihinyagajwe n'ibintu vyinshi vy'urusobe kandi bizitanye. Aha novuga akarenganyo gatandukanye, ugufatwa bukoko ry'abantu b'inyambukira, ugutituka kw'ibidukikije, uguhubisha abantu biciye mw'itangazamakuru, ukwanka icitwa ibiganiro cose be no gushigikira amahinguriro y'ibirwanisho. Ivyo vyose biri mu bihanze koko ukubaho kw'abantu. Ni co gituma, mu ntango z'uyu mwaka, twipfuza, twese hamwe, gutega amatwi ako kamo k'isi ngo kadukabure, twese hamwe ata n'umwe avuyemwo, duheze ducagagure izo mvuto z'akarenganyo tubone gusamiriza ubutungane bw'Imana. Ibikorwa vya rimwe rimwe vyo gutabara ntibikwiye. Nkako harakenewe ibikorwa bishobora guhindura imico n'indiganizo y'ibikorwa n'imigambi kugirango haboneke uguhinduka nyakuri kandi kurama.

*II. Uguhinduka mu mico n'imigenzo : twese biraturaba*

5. Iyubile idutumirira kubahuka guhindura ibitari bike kugira dushobore guhangana n'ibibazo vy'ubu bijanye n'akarenganyo n'ubusumbasumbane mu bantu. Dutegerezwa kwibuka ko itunga ry'isi ritagenewe abantu bamwe boba ari abanyamahirwe, ahubwo ko ryagenewe bose. Erega ni vyiza ko twokwiyibutsa ivyo umweranda Basile w'i Sezareya yanditse avuga ati : «Mbega wombwira ikikwegukiye vy'ukuri ? Mbe wikoze kuki kugirango ushobore kukironka ? […] Ntiwaje kuri iyi si uri gusa ? Ntuzosubira mw'ivu uri gusa ? Ivyo ufise ubu wabikuye he ? Niwaba wibaza ko wabironse ku gihamana, ni uko uri umuhakanyi, kuko utazi Umuremyi ntumenye no kumukengurukira ku vyiza yakugabiye. » Iyo ubukengurutsi buhavuye, umuntu ntaba acibuka ivyo yagabiwe n'Imana. Yamara, Imana, mu buntu bwayo butagereranywa ntiyigera iheba abantu bayicumurako : irushirizaho nyabuna gushimangira ingabire y'ubuzima, kubw'ikigongwe c'urukiza rwayo, yahaye bose kubwa Yezu Kristu. Ni co gituma, mu kutwigisha Dawe wa twese, Yezu adutumirira gusaba tugira duti : « Uduhebere umwenda wacu» ( Matayo 6, 12).
6. Iyo umuntu adategera agahivu kamufatanya na Data, yama yibaza ko imigenderanire yiwe n'abandi ifatiye ku gucinyiza uwundi maze hagakora igikenye mu gucinyiza no guhohotera ba ntantege. Kurya mu gihe ca Yezu incabwenge zakamisha amakuba ya bantaho nikora ni ko no mu misi ya none, muri iyi si-ngwati turimwo, indinganizo mpuzamakungu, igihe itunganiwe n'ingendo yo kwitwararikana no gufashanya, iheza ikavyara ku buryo burengeje - tutibagiye n'igiturire - akarenganyo kazingamika ibihugu bikenye. Ingendo yo gukamisha uwudufitiye ideni irerekana muri make ikibazo kiriho kijanye n'ideni rihanze ibihugu bimwe bimwe, cane cane ivyo mu Bumanuko.
7. Sinshobora kudeha gusubiramwo ko ideni rifitiwe ibihugu vyo hanze ryacitse igikoresho co gucunga, gikoreshwa na Leta zimwe zimwe

n'amashirahamwe atunze mu kwihwabira no kwihagira ubutunzi bw'ibihugu bikenye kw'isi kugirango vyikenure mu masoko yavyo. Ivyo bakabikora ata kinya, ata gushishoza namba. Impande y'ivyo vyose nta wokwibagira ko, abantu batari bake kw'isi, basanga bategerezwa kwiremeka umuzigo w'ideni rijanye n'ibidukikije bivuye ku bihugu biteye imbere. Ideni rifatiye ku bidukikije hamwe n'iryo deni rindi ni impande zibiri z'umudari umwe, maze bishigikiwe n'iyo ngendo, bigatuma ideni riguma riba umurengera.

Mfatiye kuri uyu mwaka wa Yubile, ndateye akamo abarongoye ibihugu vya rutura vyo kw'isi ngo bakore ku buryo bahebera ideni bafitiwe mu kwemera ko hasanzwe hariho ideni ry'ibidukikije hagati y'Ibihugu vyo mu Buraruko n'ibihugu vyo mu Bumanuko. Si akamo gafatiye gusa ku ngendo yo gushigikirana ahubwo nyabuna gafatiye ku butungane.

8. Kugirango hashobore kuba uguhindura ingendo mu mpande zose ngo hatorerwe umuti ivyo bibazo, ni uko tuzokwemera ko twese tuvukana, dusangiye umuvyeyi umwe Dawe wa twese, kandi tukemera ko twese tumwamanira ideni, kukaba ari na ko twese dukeneraniye, mu ngendo y'ugusangira ivyo dufise kandi bitandukanye. Tuzokwubura gutyo ko twese turi ba magiriranire kandi ko dufitaniye ideni.

### *III. Inzira y'ukwizigira : ibikorwa bitatu bishoboka*

9. Igihe umutima wacu uzonyurwa n'uko guhinduka kw'ibintu, Umwaka w'ivyiza vya Yubile uzosubira utwugururire inzira y'ukwizigira kuri umw'umwe wese. Ukwizigira kuvyarwa n'ukwakira ubuntu bw'Imana yacu butagira ingero. Ku bwa ngingo, Imana nta deni na rimwe idufitiye. Yamara ishishikara, ubudasiba, itugabira ivyiza n'ikigongwe cayo. Izahaki w'iNiniva, umwe mu Bakurambere b'Ekleziya yo mu Buseruko, mu kinjana c'VII, yanditse ati : «Urukundo rwawe rurarengeye kure n'iyo amadeni yanje. Imikuba y'inyanja ni ubusa ndayigereranije n'ibicumuro

vyanje, yamara ndavye uburemere bw'ibicumuro vyanje, nkabigereranya n'urukundo rwawe, bica biyonga nk'ubusa.» Imana ntiharurira umuntu akabi kiwe ariko, ku buryo burengeje, « yikwije ikigongwe, kubw'urukundo rwinshi yadukunze » (Abanyefezi 2, 2). Uko ni na ko itega yompi amaborogo y'abarushwa n'ay'isi. Naho twofata akanya gato tukicara, mu ntango z'uyu mwaka, tukazirikana inema ituronsa igihe cose iturekurira ibicumuro vyacu, be n'amadeni yose, vyoha imitima yacu gusagwa n'umwizero n'amahoro.

10. Ni co gituma, Yezu, mu gisabisho ca "Dawe wa twese" avuga ikintu gihambaye cane, ahejeje gusaba Se wiwe ngo aturekurire amadeni yacu (raba Matayo 6, 12) : « Nkuko natwe tubirekurira ababitugiriye. » Kugira duhebere abandi ideni badufitiye kandi tubahe n'umwizero ni uko ubuzima bwacu buba bwuzuye uyo mwizero ukomoka ku buntu bw'Imana. Umwizero urasesekara iyo tuzi gutanga tutitangiriye itama, ata giharuro c'ubunibuni. Umwizero ntuharura ibiri mu mifuko y'abadufitiye ideni, nturondera akunguko, ariko urazwa ishinga no gushika ku kintu kimwe : kuvyura abashaye, gutenga imitima yavunitse no kubohora abo bose bakiboshwe.

11. Nipfuza rero, mu ntango z'uyu mwaka w'Ubuntu bw'Imana, kubatumirira ibikorwa bitatu vyoheza bigasubiza iteka ubuzima bw'abantu batari bake, bigatako bikabasubiza mu nzira y'umwizero, kugirango ikibazo c'ideni bashobore kukirengera kandi bateko bashobore kumenya ko na bo barekuriwe ideni bari bafise. Munkundire ndabibutse akamo k'Umweranda Yohani-Pawulo wa II kuri Yubile y'imyaka 2000. Yasavye ko « hokwiyumvirwa kugabanya bimwe biboneka, badashoboye kuriheba rwose, ideni ibihugu bikomeye bifitiwe. » Mu kwibuka ko ivyo bihugu vya rutura na vyo nyene bifitiye ideni ibindi bihugu mu bijanye n'ibidukikije, ese na vyo vyoboneraho kubihebera ideni bidashobora kuriha. Kugirango iyo ngendo ntihave ivyara iyindi yohava iza ifise

amakenga afatiye ku gutanga amahera no kw'ideni ryo kuyishura, hategerezwa kwiyumvirwa indinganizo nshasha y'ivy'ubutunzi yubakiye ku gushigikirana n'ubumwe hagati y'ibihugu.

Ndasavye kandi ukwitanga gushemeye mu guharanira icubahiro c'agateka ka zina muntu, kuva agisamwa gushika ku rupfu rwiwe rw'akarago, kugirango umuntu wese ashobore gukunda ubuzima bwiwe, ateko yiyumvire kazoza n'ukwizigira, arondere kubuteza imbere kubw'ubuhirwe bwiwe n'ubw'abana biwe.Nkako, habuze ukwizigira mu buzima, biragoye ko, mu mitima y'abakiri bato, haremamwo icipfuzo co kwibaruka ubundi buzima. Ku buryo budasanzwe, nashaka nsubire kubatumirira umuco ndemesha-buzima. Nshaka kuvuga uguhanagura igihano c'ugupfa mu bihugu vyose. Nkako, iyo ngendo, ntihonyanga gusa agateka k'ubuzima ariko kandi irazimanganya umwizero wose mu bantu ujanye n'ikigongwe n'ukwisubiza itoto. Ndubahutse kandi gusubira gutera akamo abakiri bato, nisunze umweranda Paulo wa VI na Benedigto w'XVI muri ibi bihe birangwa n'ingwano. Nihakoreshwe igice c'amahera yagenewe ibirwanisho maze hashingwe ikigega mpuzamakungu cokora mu kuzimanganya inzara no kworohereza ibikorwa vy'indero mu bihugu bikenye, gutyo habe guharanira iterambere rirama, mu kurwanya ihindagurika ry'ibihe.

Dutegerezwa gukura mu nzira ivyitwazo vyose bituma urwaruka rwiyumvira kazoza katagira umwizero, canke ukwitega kuzokwihora amaraso y'ababo. Kazoza ni ingabire iduha kurengera ibibi vyakozwe kugirango hacibwe inzira nshasha z'amahoro.

## *IV. Intumbero y'amahoro*

12. Abazogira rwabo ivyo bikorwa dushikirije, bagaca mu nzira y'umwizero bazobona ko umugambi w'amahoro bamye bacambirwa uzoza ubagana.

Umuririmvyi w'Izaburi ni we ashimangira uyo muhango : Iyo « urukundo n'ukuri bihwanye, ubutungane n'amahoro bigwana mu nda » (Zab85, 11). Igihe cose nemeye gushira hasi ikirwanisho c'amahera ninjiza hanyuma nkugururira umuvukanyi inzira y'ukwizigira, mba ndiko ndaterera ukuremesha ubutungane bw'Imana mu bantu hanyuma ngasangira n'uyo muntu inzira y'amahoro. Nkuko umweranda Yohani wa XXIII yabivuze, amahoro nyakuri azoremeshwa n'umutima wiyambuye akabonge n'ubwoba bw'intambara.

13. Ese umwaka w'2025 woba umwaka w'aho amahoro atera imbere ! Ayo mahoro nyayo kandi aramye ntagarukira ku mpari zifatiye ku masezerano canke ku meza y'ibiganiro vy'abantu. Turondere amahoro nyakuri, arya nyene Imana ironsa umutima uzira ibirwanisho : umutima udaharura ibinyega n'ibikwêga ; umutima usambura ukwirondera ugakerebukira kuja guhwana n'abandi ; umutima udakekereza kwemera ko uri n'ideni imbere y'Imana maze ukama ukereye kurekurira abandi amadeni abacinyiza ; umutima urengera ukwihebure imbere ya kazoza mu kwizigira ko umw'umwe wese ari itunga kuri iyi si.

14. Ugukura ibirwanisho mu mutima ni ingendo iraba zina muntu wese ; kuva ku bambere gushika ku banyuma ; kuva ku bato gushika ku bakuru, kuva ku batunzi gushika ku bakene. Rimwe na rimwe, bisaba ibintu bito cane nko « kumwenyura, gutanga akamenyetso k'ubugenzi, indabo ya kivukanyi, ukwumviriza bivuye ku mutima, agakorwa kazira inyungu. » Uko twitwararika utwo tuntu dutoduto na tunini ni ko tugana amahoro, kandi tuzoyashikira ningoga twemeye gusangira urugendo na bene wacu, maze dusange twamaze guhinduka tutakiri kwa kundi ko mu ntango. Amahoro ntavyarwa gusa n'ihagarikwa ry'intambra, aboneka kandi iyo

habaye intango y'isi nshasha, isi twisangamwo mu budasa bwacu, twunze ubumwe, tukarushirizaho kuba abavukanyi uko tutabiziga.

15. Mukama, dutabaze amahoro yawe ! Ng'ico igisabisho ntuye Imana ari nako nipfuriza umwaka mushasha Abakuru b'ibihugu n'intwaro, abakuru b'amashirahamwe mpuzamakungu, abarongoye amadini atandukanye, zina muntu wese Imana ikunda akayikundira.

    Duharire amadeni yacu, Mukama, nkuko natwe tuyaharira abayadufitiye, maze kubw'ico kigongwe uduhe amahoro, ni wewe musa ushobora kuyaronsa abo bose bemera kutitwaza ibirwanisho mu mitima yabo, abo bose, bashigikiwe n'ukwizigira, bashaka kurekurira amadeni abavukanyi babo, abo bose bâtura ata gutinya ko na bo bari n'amadeni bafitiye abandi, abo bose batazi kwica amatwi iyo bumvise amaborogo y'abarushwa.

*Bigiriwe i Vatikano kuwa 8 kigarama 2024*

FRANSISKO

[Iyi nyigisho yahinduwe mu kirundi n'igisata c'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi kijejwe ubutumwa n'inyigisho-ndoramana.]